**RCA 579**

**AMAJAMBO MAKURU MAKURU**

**Agahembo k'uwabikijwe inka - gukomoza inka yabikijwe n'izayo zose – gusaba icemezo co gukomoregwa – iyunguruzwa ry'urubanza rw'amatati (ingingo ya 190 CPC) ridashemeye – kuhemba inka.**

**URUBANZA**

- 1 -

RCA 579

SENTARE NKURU ISUBIRAMWO YA GITEGA ISHASHE I GITEGA MU MANZA Z'AMATATI ZUNGURUJWE YACIYE URUBANZA RUKURIKIRA MU NTAHE Y'ICESE YO KU WA 19.05.2006

UWUNGURUJE : BU. Dieudonné , umutumba Rusagara, Komine Makebuko, intara ya Gitega
UWUNGURURIJWE : NE. Joseph, Umutumba jurwe, Komine Nyarusange, Intara ya Gitega.

ICITWARIRWA : Inka 10.

Twihweje urubanza RC 1818/GIT rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Gitega ku wa 02.11.2005 ruvuga ruti :

- Sentare yakiriye imburano za BU. Dieudonné nk'uko yazishikirije mugabo isanze zidashemeye ;
- BU. Dieudonné arahebujwe ku nka cumi yarondera kuri Joseph NE. ;
- Amagarama atangwa na BU. Dieudonné.

Twihweje ko urwo rubanza rwamenyeshejwe BU. Dieudonné ku wa 15.11.2005 agaca arwunguruza ku wa 07.12.2005 mu ndagano itegerezwa;

Twihweje ko iyi Sentare yarwakiriye ku numero RCA 579/GIT, igaca iruhamagara ubwa mbere mu ntahe y'icese yo ku wa 16.01.2006;

Twihweje ko kuri iyo nsango ababuranyi bose barengutse ntibashobore kuburana kuko dossier ya mbere itari bwashike mur'iyi Sentare ;

Twihweje ko rwagiye rurasubizwa ku wa 17.02.2006, 27.03.2006, 17.04.2006 ;

Twihweje cane cane iyo sango ya nyuma, aho ababuranyi bose barengutse bagahinyuzanya imbonankubone n'ivyabona vyabo bikumvirizwa ;

Sentare imaze kunyugwa yafashe urubanza mu mwiherero kugira ishinge urukurikira :

Kubera ko BU. Dieudonné yunguruje avuga ko yabikije inka SI., se wa NE. Joseph, ivyara inka zibiri, nyina wazo iragurishwa na NI. Mariya (nyina wiwe), bamucirako ibihumbi indwi (7.000 FBu), ngo yaciye atangiriza mu baryango kuko nyina yasesagura yanka ko azimara zose ;

- 2 -

Kubera ko abandanya avuga ko ubu yakuze yomushikiriza iyo nka yasigaye kandi yarwiriye ubu ari inka icumi amuronderako ;

Kubera ko NE. Joseph yiregura avuga ko NI. Mariya (nyina wa BU.), yabikije se wiwe SI. inka amubarira ko azomuhamwo inka yaho yaragiye akaba yaranayimuhaye ;

Kubera ko abandanya avuga ko NI. yazananye na BU. kugurisha inka nkuru izivyara, na we asigarana inyana ntoya aranamubarira ko yoyijana iwe aranka avuga ko ataho yoyiragirira mu magume;

Kubera ko ashishikara avuga ko muri 1997 yagiye iwe arayigurisha, ko GI. (isura ya BU.) aragateranya atamwemera ;

Kubera ko aheraheza avuga ko izo nka icumi ataho yoziragirira ababanyi ntibazibone ;

Kubera ko BU. amwikura mu kuvuga ko atazi ingene nyina wiwe yagabiye iyo nka NE., ko niyaba yayimuhereye mu mpisho atavyemera;

Kubera ko Sentare yumvirije icabona NT. Donat carengukanywe na BU. akivugira ko yumvise ko NE. Joseph afitiye inka NI. Mariya, ko mugabo atazi amasezerano bagiriraniye, atazi ingene zagiye zirarwira;

Kubera ko yongera agashigikira ko azi ko BU. yatoye abashingantahe ababarira ko nyina wiwe abariye, yamaze inka yabikije kwa Joseph, ko abo bashingantahe batazi ingene izo nka zagabuwe; ntibamenye n'agahembo uwo

NE. Joseph yaronse ;

Kubera ko humvirijwe n'uwitwa GI. Déo yarengukanywe na BU. akavuga ko hari inka nyina wa BU. yabikije SI. (se wa Joseph), ihavyarira inyana zibiri (imwe iri umugajo, iyindi ari akavuzo), SI. aca agubira kuri kavuzo yitwaje ko yaragiye ikaba yaravyaye kabiri (ishuri n'inyana), kagajo itwarwa na BU., ubu ariko arondera Kavuzo n'izayo;

Kubera ko yongeye gushigikira ko Mariya yitwariye SI. kugira amuhe Kavuzo imbere y'abaryango, ntiyarubandanya avuga ko ata mayoga asubira kuza aratanga, ko agiye kwa Bulamatari, ko mugabo atazi ko yashitseyo;

Kubera ko humvirijwe ZI. Jean yarengukanywe na NE. Joseph agashigikira ko Mariya yajanye inka yiwe kuyibitsa SI. agomba no kuyanka kuko yarirwaye yohava yanduza iyiwe ;

Kubera ko yabandanije avuga ko Mariya yamubandanije akemera ko niyarwira izobarwirira bose, SI. ahava aremera kuyakira, mu nyuma amusaba inka y'aho yaragiye, yayivuje n'amahera y'umutara ;

- 3 -

Kubera ko ashishikara avuga ko Mariya yagurishije inka zitatu, iyindi itwara BU. batamuhaye ivyo asaba aca atwara Kavuzo;

Kubera ko n'uwitwa HA. Gabriel yarengukanywe na NE. yumvirijwe akavuga ko we ico azi ari inka BU. yatwaye ayihawe na Chef de zone, ko vyongeye inka y'akavuzo ikomoka kuyo Mariya yabikije SI. yazituriwe uyiragira ku neza kuko ata mpembo yindi bamuhaye;

Kubera ko mu nyandiko BU. yashikirije Sentare ata na hamwe haboneka ko nyina wiwe NI. Mariya yoba yaritwariye SI. kugira akomoze iyo nka (Kavuzo) nyene kubitswa yigaruriye, bikibonekeza ko ata ngorane yabibonyemwo, ko yabarwiriye bose nk’uko yari yavyemeye, akiyibitsa (raba ivyo ZI. yavuze);

Kubera ko na BU. aterekana ico umuryango wiwe wahaye SI. mu gihe cose yatunze iyo nka canke aho yayirihiye ikori (quittance) na burya yiyemereye ko bayibikije muri 1988, (raba ivyo yavuze rukiri muri Sentare Nkuru y'Igihugu) ;

Kubera ko BU. asaba abava kuri SI., urukaratasi abashingantahe bamushikirije bamukomorera iyo nka, Sentare ikabona ko ivyo bidafashe kuko na we nyene mu gihe bayibitsa ataco bandikiraniye ;

Kubera ko hari n'urwandiko rwo ku wa 22.10.1999 chef de zone Maramvya yandikiye SI. André amumenyesha ko yobikura inka NI. Mariya yamubikije akayiha umuhungu wiwe BU. Dieudonné kuko ari iragi rya se, ko uwo nawe amaze kwiriha izo nyina yariye, iyo nka yorondokera umuryango;

Kubera ko BU. yiyemereye ko iyo nka yayishikirijwe na SI. uravye intumbero y'iyo kete biboneka ko atagisigaye inyuma ku nka arondera;

KUBERA IZO MVO ZOSE:

Sentare Nkuru Isubiramwo ishashe mu manza z'amatati zungurujwe;

Yihweje ibwirizwa-nshingiro rya républika y'uburundi;

Yihweje itegeko-bwirizwa ryo ku wa 29.06.1962 rigumizaho amateka n'amategeko amwe amwe yarahasanzwe imbere y’uko Uburundi bwikukira;

Yihweje ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 17.03.2005 riringaniza ama Sentare rigatomora n'ububasha bwayo;

Yihweje ibwirizwa n° 1/010 ryo ku wa 13.05.2004 ryerekeye ingene imanza z'amatati ziburanwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa ;

Yihweje igitabu c'amategeko agenga imanza z'amatati;

ibanje gutohoza neza urubanza mu mwiherero nk’uko amategeko abitegetekanya;

ISHINZE KO:

- Yagiriye iyunguruzwa ry'urubanza nk’uko ryagizwe na BU. Dieudonné mugabo isanze ata karusho;
- Ikomeje urubanza RC 1818/Git rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Gitega mu ngingo zarwo zose;
- Amagarama atangwa na BU. Dieudonné nayo ni 9.400 FBu.

- 4 -

Uko niko ruciwe kandi rusomwe mu ntahe y'icese yabereye i Gitega ku wa 19.05.2006, hashashe umukuru w'intahe, abacamanza bafashijwe n’umushikirizamanza hamwe n’umwanditsi.

**KWIHWEZA URUBANZA**

Muri runo rubanza, BU. Dieudonné yitwarira NE. Joseph ku nka avuga ko nyina wiwe yabikije se wiwe ikaba itabikuwe. NE. Joseph ntahakana ko nyina wa BU. Dieudonné atigeze abitsa inka se wiwe, ariko amwikura avuga ko inka zose zabikijwe, zimwe zabikuwe izindi zikagurishwa na nyene kuzibitsa izuba riva abantu bakoranye, ko ariko iyo BU. yishuza ari inka se wiwe SI. yagabiwe na nyene kuzibitsa kubera ko bari basezeranye ko niyo zagwira zizobagwirira bose.

Kuvyerekeye inka zabikuwe n'izagurishijwe, ababuranyi bose barabihurizako. Ariko aho batandukanije ari nayo ntango y'amatati, ni kur'iyo nka NE. Joseph yemeza ko se wiwe yayigumanye kubera amasezerano bari bagiriraniye na nyene kuyibitsa ariko BU. nawe agahakana avuga ko atumva ingene nyina yari gushobora kugaba atabimenyesheje umuryango canke abashingantahe.

Kubwacu, mugihe NE. yemeza ko hariho amasezerano SI. sewiwe yagiriraniye na NI. mu kubitsa iyo nka, nayo BU. akaba ayahakana, NE. asabwa kwerekana icemeza ko ayo masezerano yabayeho nk'uko bitegekanijwe n'ingingo ya 197 y'igitabo ca gatatu c'amategeko agenga amatati.

Turanegura cane aho Sentare ivuga ko BU. adakwiye gusaba icemezo gikomorera NE. iyo nka, mu gihe nawe nyene atarwandiko yashikirije rwerekana ko nyina wiwe yabikije. BU. ntiyari akaneye kwerekana urwandiko kuko ababuranyi bose ndetse n'amasura bazanye muri Sentare bose baremera atampari zihabaye ko NI. Mariya yabikije inka. Ntacemezo kindi gikenewe rero mu gihe ababuranyi bo nyene ubwabo bavyemeranya.

Mu gihe ayo masezerano yemejwe ko yabayeho, Sentare yaca yubahiriza ayo masezerano nk'uko bene kuyagiriranira babisezeranye (ingingo ya 33 CCL III). Ariko rero ayo masezerano tubona ko yari akwiye gutohozwa neza akongera akanonosogwa. NE. avuga ko bumvikanye igihe co kubitsa iyo nka ko NI. Mariya yavuze ko niyo yagwira izobagwirira bose. Twokwibaza rero utu tubazo dukwiririkira: izobagwirira kurugero uruhe? Bazogabura banganye canke azotwara imwe gusa? Nigushika ku gihe ikihe?

Mu vyashikirijwe n'isura ZI. Jean, iravuga neza ko Mariya yagurishije inka zitatu, iyindi nayo yitwa “Kavuzo” ica itwagwa na SI. ngo kubera atari yahawe ivyo yasaba. Biboneka rero ko iyo nka iriko irasabwa itagumijwe na SI. hisunzwe amasezerano bari bagiriraniye na NI. Ariko ko yayigumije mukurindira ko ivyo asaba abihabwa nk'uko avyemeregwa n'ingingo ya 511 y'igitabo ca gatatu c'amategeko agenga amatati. Ariko naho nyene, yari kuyigumana kugirango asabe nyene inka amuhe ivyo asaba, iyo nka ntica imwegukira namba.

Vyongeye, ng'aha haravugwa ivyerekeye agahembo ka nyene kubitswa izo nka. Ingingo ya 484 y'igitabo ca gatatu c'amategeko agenga amatati, iravuga neza ko mu bisanzwe ko mu kubitsa atagahembo gasabwa. Mu migenzo y'ikirundi naho, impembo y'uwabikijwe inka aba ari amase n'amata. Ntanahamwe impembo iba inka kiretse nyeneyo yishakiye wenyene kumugabira.

Sentare yarongeye kuvuga kandi ko BU. ahebujwe kubera ko nyina wiwe atigeze yitwarira SI. kugira ngo akomoze iyo nka. Iyo n'imvo ku bwacu idashemeye namba kuko ingingo ya 625 iravuga ko umuntu atunze ikintu c'uwundi muntu kidashobora kumwegukira mu gihe yatanguye kugitunga azi neza ko ari ico uwundi. Kuvuga ko ari kubera nyina wiwe atigeze yitura ubutungane ngo akomoze iyo nka ari naco gituma umuhungu wiwe rero yohebuzwa, ntibishemeye namba.

Aha Sentare ntiyari guhagarara cane ku masezerano yoba yabaye hagati ya NI. na SI. mu gihe atawundi yaje ayitwaza atari NE. Ndetse mu gihe isura yiwe yoyo itavuga ivyerekeye amasezerano ahubwo ikemeza ko yayigumije kubera batamuhaye ivyo asaba.

Vyongeye kuvuga ko BU. ahebujwe kubera ko nyina wiwe atigeze yitura ubutungane kugirango akomoze iyo nka n'imvo ataho ihagaze namba mu gihe na nyene kuyitunga adashobora kwitwaza igihe ayimaranye kugirango avuge ko imwegukiye. Kira noneho Sentare iravuga ko Chef de zone yandikiye ikete SI. amusaba kubikura inka yabikijwe na NI. Mariya, ico n'icemezo kigaragara ko NI. yari yatanuye kuyirondera.

Uru rubanza ntategeko na rimwe canke umugenzo mwiza w'ikirundi rwashimikiyeko mu gucibwa. Tubona ko BU. yari gukomoregwa iyo nka kumbure agasabwa ivyakoreshejwe murukwo kuyitunga, gurtyo akabona kubitanga nawe agashikirizwa inka yiwe.

Muri runo rubanza, naho umucamanza avuga ko yisunze igitabo c'amategeko agenga imanza z'amatati, ntaho tubona adomako urutoke ku ngingo kanaka yoba yarisunze mu gukuruca. Womengo abacamanza benshi barabigize umugenzo wo kudondagura gusa ngo bisunze amategeko ayanaya kandi kumbure bakoresheje ibihushane vy'ayo. Ntanahamwe handitse ko iyo umuntu adakurikiranye ikintu, abasigwa biwe baca bagihebuzwako kiretse gusa mu gihe haciye ikirigo cemewe n'amategeko ko bene kugikoresha gica kibegukira.